Wakira gute amategeko abavyeyi bagushingira?

Nukoreshe uwu mwimenyerezo mu kuzirikana witonze kw'itegeko rikugora kugamburuka. Urashobora no kuwukoresha mu kuyaga n'abavyeyi bawe.

Kubera iki ritakworohera?

Ni ivyiza ibihe ubona muri iryo tegeko?

Wibaza ko ari kubera iki abavyeyi bawe bashinze iryo tegeko?

Hoba hari ikintu wibaza ko abavyeyi bawe bibagiye igihe bashinga iryo tegeko? Nimba gihari, ni ikihe?

www.jw.org © 2016 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania

Woshima ko iryo tegeko ryoryohorwa gute?

Hamwe wosaba abavyeyi bawe ngo bahindure iryo tegeko, wibaza ko bokwishura gute?

Wibaza ko ari kubera iki bokwishura gutyo?

Wibaza ko ari igiki ahanini kiraje ishinga abavyeyi bawe?

Naho vyofata igihe, wokora iki kugira ubasubirize umutima mu nda? (Impanuro: Ivyo ukora birahambaye kuruta ivyo uvuga.)

Fata ko uri umuvyeyi w’umwana ageze mu buyabaga. Woba womushingira mwene iryo tegeko? Nimba worimushingira, ryoba rimeze gute kandi kubera iki?

www.jw.org © 2016 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania

BAKWIZIGIYE KU RUGERO RUNGANA IKI?

Kwizigirwa ni nk'amahera. Umuntu araguca. Nuvuge ibintu woba warakoze vyatumye abavyeyi bawe *batakwizigira* cane.

Nuvuge ibintu woba warakoze vyatumye abavyeyi bawe *bakwizigira.*

www.jw.org © 2016 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania

Ufise umutahe ungana iki mu kigega cawe c'ubwizigirwa? Abavyeyi bawe boba bakwizigira bihagije ku buryo mwoshobora kuganira ico kibazo ubu, canke ubona woba urarindira?

Nimba ubona ko woba urarindira, ni igiki woca uba urakora kugira utume abavyeyi bawe barushiriza kukwizigira?

INAMA TUKUGIRIYE: Uhejeje gukora uwu mwimenyerezo, nuwuhe abavyeyi bawe, muheze muwuganireko.

Igihe uganira n'abavyeyi bawe, uribuka aya majambo yo muri Bibiliya agira ati: "Inyishu, iyo irimwo ubwitonzi, ikevya uburake, mugabo ijambo ritera umubabaro riduza ishavu." —Imigani 15:1.

WARI UBIZI? Impanuro ziri muri uwu mwimenyerezo zirashobora kugufasha n'igihe uganira n'umukoresha wawe ku bijanye n'amategeko yashinze ku kazi.

"Kugamburukira abavyeyi ni nko kuriha ideni ufitiye banki. Iyo wishura ku gihe baca barushiriza kukwizigira."—Vyakuwe mu gitabu *Ibibazo urwaruka rwibaza—Inyishu ngirakamaro,* Igitabu ca 2.

www.jw.org © 2016 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania